**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**Ubunyamabanga Bukuru bwa Reta**

# ITANGAZO N°09/2026 RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 12 MYANDAGARO 2026

Inama y'Abashikiranganji yakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 12 Myandagaro 2026, i Bujumbura, ku mugwa mukuru w'Ubutunzi, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Général Major Evariste NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 11 Myandagaro 2026, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa muri iyo nama nshikiranganji.

## 1. Integuro y'itegeko ritangagaza Icegeranyo ntabanduka c'ivyavuye muri rusansuma y'abantu, uburaro, uburimyi n'ubworozi mu Burundi mu mwaka wa 2024,

Yashikirijwe n'umwe mu bakozi bakukira Ibiro vy'Umushikiranganji wa Mbere

Hisunzwe ibikurikizwa ku rwego mpuzamakungu mu vyo gutangaza ivyavuye muri rusansuma, hategerezwa kubaho intambwe zibiri, iya mbere ikaba ari ugutangaza vy'imfatakibanza ivyavuye muri rusansuma, hagakurikira rero iyo gutangaza Icegeranyo ntabanduka.

Mu Burundi, rusansuma y'abantu, uburaro, uburimyi n'ubworozi yo mu mwaka wa 2024 yarahejeje iyo ntambwe ya mbere kuko ivyavuye muri iyo rusansuma vyatangajwe vy'imfatakibanza n'itegeko n°100/032 ryo ku wa 27 Ntwarante 2025, mukurindira guheraheza neza ibiharuro vyavuyemwo ku buryo bwimbitse.

Iyi nteguro ishikirijwe inyuma yo guhinyanyura neza ivyo biharuro kugira ngo Icegeranyo ntabanduka c'ivyavuye muri iyo rusansuma gitangazwe mu ntumbero yo kwubahiriza ibisabwa ku rwego mpuzamakungu.

Inyuma yo guca hirya no hino iyo nteguro, inama nshikiranganji yarayemeje, ariko ica irasaba ko bosubira bagasuzuma neza ko ibiharuro bimwe-bimwe ari ivy'ukuri.

Kubera ko akamaro ka rusansuma ari ukugira ibiharuro nyavyo bifatirwako mu gutunganya imigambi muri rusangi, ubushikiranganji bwose bwasabwe kuvyifashisha mu gutegura imigambi mu bisata bujejwe. Igisata c'igihugu kijejwe kwegeranya ibiharuro mfatiro na co casabwe kwama gishira ku gihe ivyo biharuro ku mwaka ku mwaka.



B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi

2. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/153 ryo ku wa 16 Munyonyo 2022 rishinga rikongera rigatunganya igisata c'igihugu kijejwe kwegeranya ibiharuro mfatiro,**

Yashikirijwe n'umwe mu bakozi bakukira Ibiro vy'Umushikiranganji wa Mbere

Iyi nteguro ije kwisunga amabwiriza yo mu mwaka wa 2024 agenga amashirahamwe yegukira Reta aho atomora ko amashirahamwe atinjiza amafaranga atarongorwa n'inzego nshingwantwaro, ahubwo arongorwa na komite nyobozi.

Ikindi na co, kubera uruhara rw'urwo rwego rw'igihugu rujejwe itunganywa ry'ibiharuro mfatiro mu gutunganya imigambi y'igihugu ari ntangere, itegeko ritunganya ibiro vy'umushikiranganji wa mbere rirushira mu bisata bikukira ivyo biro. Iyi nteguro rero ije guhindura aho urwo rwego rukukira.

Inama nshikiranganyi imaze guca hirya no hino iyo nteguro ikanayunganira muri bimwe-bimwe, yarayemeje.



3. **Integuro y'itegeko rihindura itegeko n°100/216 ryo ku wa 20 Munyonyo 2023 risubiramwo itegeko-bwirizwa n°100/182 ryo ku wa 28 Nyakanga 1989 rishinga amategeko agenga ishirahamwe REGIDESO,**

Yashikirijwe n'umushiranganji w'amasoko ntanganguvu, ubutare, amahinguriro, ubudandaji n'ingenzi

Iyi nteguro ishikirijwe mu ntumbero yo kwegereza intwaro n'ubutegetsi abenegigihugu kugira ngo igihugu gishike ku mahangiro y'imbonakazoza yo mu mwaka wa 2040 na 2060. Ije kandi yisunga amabwirizwa yo mu 2024 agenga amashirahamwe ya Reta.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro ikanayiterera mu bitari bike, nko mu bijanye n'itunganywa ry'intwaro mu ntara no mu makomine kugira ngo ibikorwa vy'ishirahamwe REGIDESO vyegere abenegihugu koko, yarayemeje.

4. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/119 ryo ku wa 11 Kigarama 2015 rishiraho amategeko agenga Igisata kijejwe isuku no gukwiragiza amazi meza mu gihugu hagati (AHAMR mu mpfunyapfunyo y'ururimi rw'igifaransa),**

Yashikirijwe n'umushiranganji w'amasoko ntanganguvu, ubutare, amahinguriro, ubudandaji n'ingenzi

Igisata c'amazi meza n'isuku gifise ikibanza kinini mw'iterambere ry'igihugu. Ni muri iyo ntumbero hashinzwe Igisata kijejwe isuku no gukwiragiza amazi meza mu gihugu hagati, gishingwa igikorwa nyamukuru co gufasha gutegura no gushira mu ngiro imigambi ijanye no gukwiragiza amazi meza mu gihugu hagati hamwe rero n'ibijanye n'isuku.

Inyuma y'ishingwa ry'ico gisata, harabaye impinduka nyinshi haba mu bijanye n'inzego, intwaro hamwe rero n'imbibe z'intara n'amakomine zahindutse. Hari n'utunenge twibonekeje mw'itunganywa ry'ico gisata. Ni muri iyo ntumbero vyabaye ngombwa ko amategeko agenga ico gisata yohindurwa.

Iyi nteguro rero ije guhindura amategeko agenga ico gisata kugira ngo kibe inyishu ku bibazo vy'amazi n'isuku vyibonekeza mu gihugu hagati, kugitunganya neza mu vyerekeye intwaro n'ubuhinga, no kugira ngo ivyo kirangura mu gihugu birushirize gukorwa neza.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro ikanayiterera mu bitari bike, nko mu bijanye n'itunganywa ry'intwaro mu ntara no mu makomine kugira ngo ibikorwa vy'igisata kijejwe amazi meza n'isuku mu gihugu hagati vyegere abenegihugu koko, yarayemeje.

### 5. Integuro y'amasezerano yo gukorana hagati ya Reta y'Uburundi n'ishirahamwe WEZA POWER mw'irangurwa ry'umugambi wo gushikana umuyagankuba mu gihugu hagati,

Yashikirijwe n'umushiranganji w'amasoko ntanganguvu, ubutare, amahinguriro, ubudandaji n'ingenzi 

Mu ntumbero y'uko ubutunzi bw'Uburundi bwokwisununura no kugira ngo abakeneye umuyagankuba biboneka ko baguma biyongera bawuronke, igisata c'amasoko ntanganguvu gikeneye abanyamitahe bakiranguriramwo imigambi, mu gusanura ibisanzwe bihari canke mu kwubaka bishasha, kugira ngo abakeneye umuyagankuba bose bawuronke ku buryo burama kandi ku giciro kitavuna.

Mu ntumbero yo kugabanya igihengeri cibonekeza mu gisata c'umuyagankuba, hisunzwe kandi ivyo ishirahamwe WEZA POWER ryaranguye mu gice ca mbere c'umugambi wo gutanga amatara, Reta y'Uburundi ishaka kugiranira amasezerano n'iryo shirahamwe kugira ngo rirondere uburyo ryubake, risanure, ryagure ryongere rikoreshe imihora y'amatara mu karere rizoba ryumvikanyeko na Reta y'Uburundi, mu kiringo c'imyaka mirongo ibiri n'itanu (25) kizoharurwa guhera aho rizoba ritanguriye gukora.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro y'amasezerano, yasanze harimwo ibitari bike bikwiye gutosorwa, ica ishiraho umugwi uzobanza guca hirya no hino iyo nteguro ikazoheza ikagarukanwa mu nama nshikiranganji.

**6. Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/079 ryo ku wa 24 Rusama 2019 rishinga rikongera rigatunganya Ikigo c'igihugu kijejwe gutunganya ibisagara, uburaro n'inyubako (OBUHA mu mpfunyapfunyo y'igifaransa),**

Yashikirijwe n'umushikiranganji w'inyubako, kugwiza uburaro, gutwara abantu n'ibintu no kubungabunga ibikoresho vya Reta

Isubirwamwo ry'itegeko rigenga Ikigo c'igihugu kijejwe itunganywa ry'ibisagara, uburaro n'inyubako (OBUHA) ritumwe n'uko bikenewe ko hisungwa ibwirizwa ryo mu mwaka wa 2024 rigenga amashirahamwe ya Reta no gusubiramwo ingene iryo shirahamwe ryari risanzwe ritunganijwe kuko vyatuma ingingo zica ku ntambwe nyinshi hanyuma zigateba gufatwa.

Iyi nteguro rero ije guhindura, aho uwurongoye ico gisata azokwitwa umuyobozi mukuru afashijwe n'abayozi bajejwe ubuhinga aho kwitwa Komiseri mukuru. Abakomiseri bahora bajejwe ibisata bazovaho guyo ingingo zinyaruke gufatwa.

Mu ntumbero yo gukoresha neza amafaranga y'igihugu, amafaranga yose ico Kigo cinjije azotumbera mu kigega ca Reta.



**7. Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/080 ryo ku wa 22 Rusama 2019 rishinga imirimo rikongera rigatunganya Ikigo kijejwe amabarabara mu Burundi (ARB mu mpfunyapfunyo y'ururimi rw'igifaransa),**

Yashikirijwe n'umushikiranganji w'inyubako, kugwiza uburaro, gutwara abantu n'ibintu no kubungabunga ibikoresho vya Reta

Ikigo kijejwe amabarabara mu Burundi cashinzwe mu mwaka wa 2019. Naho ico kigo cakoze ibitari bike kuva gishinzwe, vyarabonetse ko bikenewe ko gihinyanyurwa mu buryo gitunganijwe, kugira ngo imirimo kijejwe irorane neza n'ingene gitunganijwe, kandi n'ibijanye n'intwaro n'ibigega bihinyanyurwe neza.

Bishasha biri muri iyi nteguro vyerekeye ahanini uguhindura Ubuyobozi bw'ikigega kijejwe amabarabara bukitwa Ubuyobozi bujejwe intwaro n'ubutunzi kuko igisata ARB ata kigega cigenga gifise, hamwe no gushikana mu ntara ibikorwa vya ARB mu gushirayo amashami yayo.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza izo nteguro uko ari zibiri (ni ukuvuga iya OBUHA n'iya ARB) ikanaziterera mu bitari bike, nko mu bijanye n'itunganywa ry'intwaro mu ntara no mu makomine kugira ngo ibikorwa vy'ivyo bisata vyegere abenegihugu koko, yarazemeje.

Ku vyerekeye inyubako, inama nshikirangaji yasavye ko hoshirwa imbere ugufatanya ibikorwa n'abikorera utwabo (travaux en régie) kugira ngo hakorwe vyinshi vyiza kandi ku buryo buke.

Amafaranga agenewe ibikorwa mu ntara no mu makomine ategerezwa gukurikiranwa neza kugira ngo umwaka urangiye hasuzumwe ingene yakoze n'icaranguwe kigaragare.

## 8. Integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga amafaranga y'ishure n'izindi ntererano z'abavyeyi mu mashure ya Reta n'ay'abigenga,

Yashikirijwe n'umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi

Ibwirizwa n° 1/19 ryo ku wa 10 Nyakanga 2013 ritunganya amashure mato-mato n'ayisumbuye riratomora iyo uburyo bukoreshwa n'ayo mashure buva, hakaba harimwo n'ubutangwa n'abavyeyi.

Muri ubwo buryo butangwa n'abavyeyi harimwo amafaranga y'ishure. Itegeko nshikiranganji rishinga amafaranga y'ishure ryarataye igihe ku mvo zitandukanye. Ayo mafaranga ubu asigaye ari make cane.

Kubera ivyo, amashure amwe-amwe arakeneye gusubira gushirwa mu mu migwi hisunzwe ingingo zijanye n'igihe. Haribonekeza kandi akajagari mu mashure amwe-amwe y'abigenga mu bijanye n'ukuduza uko bishakiye amafaranga atangwa n'abavyeyi.

Iyi nteguro rero ije nk'inyishu kugira ngo amashure ashobore guhangana n'iduga ry'ibiciro vy'ibifungurwa kw'isoko hamwe n'ibindi vya nkenerwa, ikongera igategeka ko ibintu bikorwa ku mugaragaro, tutibagiye no gukura akajagari mu bijanye n'iduzwa ry'amafaranga asabwa abavyeyi. Kandi kuva ubu amafaranga y'ishure n'ayo gukuresha mu kugaburira abanyeshure azotandukanywa.

Inama nshikiranganji yaremeje iyo nteguro, mu vyo yasavye hakaba harimwo ko ishure ryose ryoza rirakorana n'abavyeyi b'abana kugira ngo hubakwe utuzu twa surwumwe kandi nyatwo.

## 9. Integuro yo kuronsa akazi abigisha mu mwaka wa 2026,

Yashikirijwe n'umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi

Iyo nteguro yafatiye ku vyo abayobozi b'indero mu ntara bashikirije, hamwe rero no ku buryo Reta yategekanirije ico gikorwa. Abigisha bose bakenewe ni ibihumbi cumi na bine n'amajana atatu na mirongo itatu (14 330).



B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi

Uburyo bwategekanijwe na bwo ni imiriyaridi cumi n'indwi, miliyoni amajana indwi na mirongo umunani na zitanu, ibihumbi amajana indwi na cumi na bine n'amajana abiri na mirongo umunani n'atandatu (17 785 714 286) azofasha mu kuronsa akazi abigisha ibihumbi bitanu (5000).

Inama nshikiranganji yaremeje iyo nteguro.

Bigiriwe i Gitega, ku wa 13 Myandagaro 2026

**Umunyamabanga mukuru wa Reta**
**Jérôme NIYONZIMA. –**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
CABINET DU SECRETAIRE GENERAL DE L'ETAT
PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE



B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi